Agatima ari ko !



Umunsi umwe, umusambi wagiye mu mazi kwiyuhagira.
Uhejeje, usokoza amasunzu, urirabaraba ; wihindura wihindukiza.
Vyatevye uraduka uti :
– Ndi mwiza, ndi mwiza.
Aho hose wiyumvira ko **hikinze,** atawuwumva. Ni ho waja wumva igikere cawitegereje kuva kera kiriko kiratwenga, kiti :
– Geza aho twakubonye, kandi burya ubwiza wibona, burutwa n'ubwo ubonwa n'abandi. Umusambi n'**ibiteterwe** n'akantu, **uryagagura** ca gikere uti :
– Ntibitangaje ko ari wewe ungirira ishari kuko naho wokwigereka bangahe, nta zosi rigororotse n'**uruhanga ruhanitse** wopfa uronse !

Igikere cumvirije kera kiti :
– Agatima ari ko !

Insiguro y'amajambo agoye

1. **Ahikinze :** ahinyegeje, ahihishije
2. **Ibiteterwe :** ibimaramare
3. **Kuryagagura :** gukebura umuntu umuhambarira kandi umera nk'umutukagura
4. **Uruhanga ruhanitse :** uruhanga rurerure

Utubazo

1. Ni bande bavugwa muri ico gisomwa ?
2. Umusambi uhejeje kwiyuhagira wagize iki ?
3. Umusambi aho wihinduriye wihindukiza waciye uvuga ngo iki ?
4. Igikere cawitegereje kera cawubwiye ngo iki ?
5. Umusambi waryagaguye igikere uvuga ngo iki ?
6. Ukurikije ibivugwa muri iki gisomwa, woshima kuba igikere canke umusambi ? Kubera iki ?